**URWEGO RW'IGISATA CA RETA YA VERMONT**
**KIJEJWE IBIKORWA BIJANYE N'AMAGARA Y'ABANTU**
108 Cherry Street - Agasandugu ka Posita 70
Burlington, VT 05402-0070
Terefone: 802-6574220 / Fax: 802-657-4227
Umurongo wa Terefone utarihishwa iyo uhamagaye mu gihugu
hagati muri Reta ya Vermont: 800-745-7371
Umurongo w'ubutumwa ku muhora ngurukanabumenyi:
AHS.VDHMedicalBoard@vermont.gov

**URUHUSHA RWO GUTANGA AMAKURU YO KWA MUGANGA**
**RUTANZWE N'UWUFISE UBURENGANZIRA BW'UMWUNGANIZI**
**MU BIJANYE N'AMATEGEKO**

**KUBO BIRABA:**

**NDABAHAYE URUHUSHA** RWO guha igisata kijejwe amagara y'abantu muri Reta ya Vermont, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, hamwe/canke abayiserukira bagenwe, hamwe n'ibiro vy'umwunganizi mukuru mu bijanye n'amategeko, amakuru yose yo kwa muganga hamwe n'amakuru yose, atanamwe asizwe inyuma, mu makuru mufise canke mugenzura yerekeye ____________________________ (Itariki y'amavuko ____________________________), mu buryo bwo kuvuga canke bwanditse (harimwo amakuru yatanzwe n'abandi baganga canke amavuriro,) yerekeye amagara ayo ariyo yose yo k'umubiri, imitsi yo mu mutwe, ingene abona canke yiyuvira ibintu canke ibishobisho; ugukomereka canke ingwara wigeze kwipimisha canke wigeze kuvurwa. Nemeje ko nfise uburenganzira bw'umwunganizi mu bijanye n'amategeko bunyemerera gukora ibi nk'umwunganizi mu bijanye n'amategeko wa ____________________________, kandi ko uburenganzira bwo kumwunganira mu mategeko butigeze buteshwa agaciro canke bugabanywa.
Ikopi y'umwunganizi mu bijanye n'amategeko iri ku mugereka.

Gusa ku vyerekeye uru ruhusha mu kuyamenyesha igisata kijejwe amagara y'abantu i Vermont, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, hamwe n'ibiro vy'umwunganizi mukuru mu bijanye n'amategeko, kandi atari ku zindi nvo , mw'izina rya ____________________________,Nkaba mpevye ku bushake bwanje ivyerekeye ukugira ibanga amakuru hamwe/ canke uturusho utwo aritwo twose canke ubudahangagwa bugengwa n'itegeko rya reta zunze ubumwe, harimwo ibiri mw'itegeko rya 42 CFR, igice ca 2, kandi nkaba ndabahaye uburenganzira bwo kuyasangiza ata ngorane igisata kijejwe amagara y'abantu i Vermont, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, hisunzwe ubusabe bwanje, kugira bihweze ibintu bimwe na bimwe ku vyerekeye ubuvuzi bwahawe ___________________________

**URU RUHUSHA** rurashobora guteshwa agaciro umwanya uwo ariwo wose kiretse igihe wamaze gufata ingingo wisunze uru ruhusha. Mu gihe rutateshejwe agaciro, uru ruhusha ruzoherana n'igikorwa canyuma, harimwo n'ingingo ya sentare, ku ngingo yafashwe n'Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi ijanye n'aya makuru, canke, mu gihe ata ngingo nkiyo yafashwe, ruzota agaciro mu misi 365 uhereye igenekerezo rwatangiwe.

**MURAHAWE KANDI URUHUSHA RWO** kumenyesha amakuru, mu buryo bwo kuyavuga canke mu buryo bwanditse, muyashikiriza igisata kijejwe amagara y'abantu muri Reta ya Vermont ubwaco, Urwego rukuru rujejwe ibikorwa vy'ubuvuzi, canke abayiserukira bagenwe, hamwe no ku biro vy'umwunganizi mukuru, mu buryo buhoraho gushika uru ruhusha rutaye igihe canke ruteshejwe agaciro.

**FOTOKOPI Y'URU RUHUSHA YATEWEKO UMUKONO N'UWUJEJWE KURWEMEZA IZOSHOBORA GUKORESHWA MU MWANYA WARWO.**

Igenekerezo rya _______________ Izina ________________________________________
Mu ndome nkuru

________________________________________
Igikumu

________________________________________
Aderese

________________________________________
Igisagara, Reta, Agasandugu k'amakete